Australian Government
Department of Education, Skills and Employment

COVID-19: imfashanyo mfatakibanza y'abarezi b'abana

Indero y'abakiri bato hamwe n'impamba abarezi babo bahora bahabwa (impamba y'abarezi b'abana) vyarongererejwe ikiringo kugeza kw'italiki ya 12 Mukakaro 2020 kugira ngo babandanye bagumana ibikorwa vyiza kandi babandanye bahemba abakozi badahara barera abana b'imiryango n'abana bari mu kaga.

Imfashanyo y'abarezi b'abana (CCS) hamwe n'amahera yongerezwa abarera abana (ACCS) bizosubira gutangura italiki 13 Mukakaro 2020, hamwe n'igikorwa c'ukwipimisha ku miryango hamwe n'amahera masha y'imfatakibanza ahabwa abatanga ibikorwa. Ibi bisigura yuko guhera italiki 13 Mukakaro 2020, abavyeyi bazosubira ku gutanga imfashanyo zabo z'amahera ku barezi b'abana.

Imiryango amasaha y'abo y'akazi yagabanijwe kubera COVID-19 bazoronka amahera ashika kw' 100 bazohemberwa y'ukurera abana mu mayinga abiri gushika kw'italiki 4 Gitugutu 2020. Kugira ngo bashikire ivyo, imiryango itegerezwa kuvuga urwego ibikorwa vyabo rugezeko babivugane n'ibikorwa vya Australia. Ibi bishobora gukorwa biciye kuri Retayanje canke kuri Express Plus Centrelink mobile app.

Icongeyeko, impembo y'imfatakibanza izohabwa abantu bose bemerewe ko batanga ibikorwa bigeze kuronka CCS imbere yaho, harimwo n'ibikorwa bikorwa na Reta, intara hamwe n'amareta yo mu micungararo.

Impembo z'imfatakibanza zingana n'ibice 25 kw'ijana bahora bahabwa n'abakoresha babo canke amahera bahora baronka ku masaha bakora, ayo ari yo yose yo hasi, muri ico kiringo kizoba cafatiweko. Ico kiringo ni kimwe nyene cakoreshejwe mu gihe c'imfashanyo (amayinga abiri yaje imbere y'italiki ya 2 Ntwarante 2020, hamwe n'ibikorwa vyatanga kurera abana mu kiruhuko mu kiringo conyene kiri hagati y'igihembwe ca 3 n'igihembwe ca 4 mu mwaka wa 2019).

Impembo y'imfatakibanza izotangwa mu kiringo c'italiki ya 13 Mukakaro 2020 gushika mu kiringo c'italiki ya 27 Nyakanga 2020.

Kugira ngo uronke impembo y'imfatakibanza, ibikorwa bitegerezwa kubandanya gukoresha abakozi bari basanzwe bakora canke bagumijwe ku gucungera akazi ku mpera y'amahera y'imfashanyo. Ibikorwa vyongeye bitegerezwa kugumiza kuri ayo mahera bahora batanga mu

kiringo cafatiweko (nk'aho hejuru).

Ukugumya akazi bizohagarara kw'italiki 20 Mukakaro 2020 ku bakozi bemejwe n'ibikorwa vya CCS hamwe no ku badandaza badandaza ibintu vyo kurera abana canke batanga indero n'uburezi ku batanga ibirezo vy'abana.

Ku zindi nkuru zirengeye izi ja ku gisata c'indero itanga imyuga no ku rubuga nkoranyambaga rw'akazi canke ku ndero y'abakiri bato hamwe n'abarezi COVID-19 ibibazo bikunda kubazwa .

Urashobora kandi kwiyandikisha mu gisata c'indero y'abakiri bato n'abarezi email y'ikinyamakuru.